
Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Daniyeli N'indoto Iyoberanye



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.


Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique


Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Umwami Nebukadineza yari yarose indoto, kandi iyo ndoto yari yamuhagaritse umutima. Kubw'Imana, Daniyeli yarashoboye gusobanurira umwami ico iyo ndoto yasigura.




Ubwambere na mbere Daniyeli yabanje gusubiramwo iyo ndoto uko yari imeze. Aravuga ati: “Ewe mwami, wabonye igishushanyo kinini. Cari kinini cane kandi gifise ubwiza butangaje!”
3
“Umutwe w’ico gishushanyo wari ukozwe munzahabu.”
4
“Igikiriza caco n’amaboko yaco vyari bikozwe mw’ifeza.”
5
“Inda yaco n’amatako yaco vyari bikozwe m’umuyumpu.”
6
“Amaguru yaco yari akozwe m’ifero kandi ibirenge vyaco navyo vyari bikozwe mw’ifero bivanze n’ivu rituriye.”
7
Amaze kudondorera ico gishushanyo umwami, Daniyeli aca amubwira n’ibindi vyari muri iyo ndoto.
8


"Ukiriko uritegereza ico gishushanyo, haje ibuye utabonye iyo rivuye."
9
"Iryo buye ryakubise vyabirenge bikozwe mw'ifero no mw'ivu rituriye vya nya gishushanyo, kandi ryabimanyaguye mubimanyu vyishi."
10
"Hanyuma ico gishushanyo caciye kimeneka. Gica gihinduka inkungugu iratuma." Daniyeli aca ageza ng'aho. "Kandi rya buye ryaciye rihinduka umusozi munini wuzura isi."
11
Umwami aca aratangara. Kuko yumvise Daniyeli abimubwiye neza na neza uko yabirose. Daniyeli ivyo yari kubimenya gute? Ni kubw'ubuntu bw'Imana gusa Daniyeli yashoboye kumenya ivyo. Hanyuma Daniyeli aca atangura gusobanurira umwami Nebukadineza ico iyo ndoto yashaka kuvuga.
12
Daniyeli abarira umwami ati: "Imana iri mw'ijuru yaguhaye ubwami, ububasha n'icubahiro," "Umutwe ukozwe munzahabu, ni wewe."
13
Daniyeli abwira umwami ko ubwami bwiwe butangaje buzohera. Cagihimba c'igishushanyo cari gikozwe n'ifeza vyasigura ko ubwami budakomeye nk'ubw'i babuloni aribwo buzosubirira ubwami bwa nebukadineza. Umuyumpu wasigura ubundi bwami. Ifero n'ivu rituriye navyo vyasigura ubwami bugira kane.
Ubwami bwa 1
Ubwami bwa 2
Ubwami bwa 3
Ubwami bwa 4
14



Ikintu canyuma Daniyeli yabariye umwami cabaye iki: “Imana iri mw’ijuru izoshiraho ubwami butazokwigera busamburwa.”


15

Umwami amenya ko Imana yonyene ariyo yashoboye guha Daniyeli ubwenge bwo kumenya no gutahura iyo ndoto yari yarose. Nebukadineza aca aha Daniyeli ubutunzi bwishi kandi amugira umuntu ahambaye mubwami bwiwe kugira ngo amushimire.



16

Ubwami bwambere, ubwa kabiri n’ubwa gatatu bwaraje kandi bwarakuweho.



Ubwami bw’Imana buzoza inyuma y’ubwami bugira kane. Mesiya azoganza isi. Kandi birashoboka ko ari vuba!

17

Daniyeli N'indoto Iyoberanye

Inkuru ivuye mw’Ijambo ry’Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Daniyeli 2

“Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge.” Zaburi 119:130

18




32 60

19

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

20